# Urubanza

Tampa, Florida, USA

19 Ndamukiza 1964

1 Nipfuza gusoma muri Mariko, igice ca 16, guhera ku murongo wa 9. Ni igisomwa ciza cane, kivuga ku bijanye n'izuka. Yesu Amaze kuzuka mu mutwenzi ku wa mbere w'iminsi ndwi, Abanzakwiyereka Mariya Magadalene, uwo Yasenzemw' abadayimoni ndwi. Uwo aragenda,abibarira ababana na we, asanga bababaye barira. Na bo bumvise kw'Ari Muzima,kandi ko yamwiboneye, ntibavyemera.Hanyuma y'ivyo yiyereka babiri muri bo, Afiseiyindi shusho, bagenda baja mu misozi. Na bo nyene baragenda, babibwiraabasigaye, maze ntibabemerera na bo. Hanyuma Yiyereka bamwe cumi n'umwe, bicayebariko bararya, Abagaya ukutizera kwabo no gukomantara kw'imitima yabo, kukobatemereye abaMubonye, Amaze kuzuka. Arababarira, ati: Mugende muje mu bihuguvyose, mubwire abaremwe bose Ubutumwa Bwiza. Uwizera akabatizwa azokizwa, arik'utizera azotsindwa n'urubanza. Kand' ibimenyetso bizokwama biboneka ku bizera n'ibi:bazosenda abadayimoni mw'Izina ryaNje; bazovuga indimi nsha; bazofata inzoka;ni banywa ikintu cica, nta co kizobagira na gatoya; bazorambika ibiganza kubarwaye, bakire. Kand' Umwami Yesu Ahejeje kubibabarira, Aduzwa mw'Ijuru, Avyagirai buryo bw'Imana. Abo bavayo, bigisha hose, Umwami Yesu Akorana na bo, IjamboryiWe arishingishiriza intahe ibimenyetso birikurikira.

2 Dusenge. Mwami Yesu, turavuze ubu, mu gihe twegerejeIntebe y'Ubwami ya Data. Kandi mw'Izina ryaWe, turizeye yuko iri ari IjamboryaWe. Turizeye yuko aya ari yo Majambo ya nyuma yavuye mu kanwa kaWe imbereyuko uduganwa mw'ijuru. Kandi turagusavye ngo uyahezagire mu mitima yacukur'uno muhingamo, kubw'abo bagwaye. Turagushimiye kuba warahamagaye benshi kuNtebe yaWe y'Ubwami mw'ijoro ry'ejo, kandi twarabonye ya mirongo miremire y'abobantu, abagabo, abagore, aba papa, abana, aba mama bamanuka mu mirongo bazamur'ico cumba basengererwamwo. Turagushimiye kubw'ivyo, Data. Kandi ubuturagusavye yuko Wobaha itunga ry'ubwami bwaWe, kandi rka habeho ukwizerahagati yacu kur'uno muhingamo kugira ngo gutume Ijambo ry'Imana riba iry'ukurikuri twebwe. Kandi ni weWe wenyene Ushobora gukora ivyo, Data, kubw'ivyotubisavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Murashobora kwicara.

3 Ubu rero icigwa canje kur'uno muhingamo, ngombakugifata, kandi gisa nicumvikana nk'ikitamenyerewe. Ngomba kugifata kuko ejo,mu gihe c'akavunamusase, narabonanye n'umwe mu bantu beza cane, muri kano kanyayicaye aha inyuma yanje, ni umushingwamanza. Hanyuma twariko turavuga kubijanye n'urubanza, kandi mu buryo kanaka rwari urubanza rw'agashinyaguro,canke ikintu nk'ico, urwaciriweUmwami wacu. Kandi ndi -ndizera ntakekeranya yuko uwo muntu yobaye umuntuabereye guhagarara hano akabigereranya n'ama sentare yo mu gihugu, kuko namyendamuvuga kuva duhuye, kandi we…Barambwira yuko ari umushingwamanzaw'igitangaza, kubw'ivyo rero ndazi yuko yoMuhaye gucirwa urubanza rubereye.Bivanye n'uko Yesu Atigeze acirwa urubanza rwiza… Na We ni Ijambo. Ivyo tweseturabihurizako. We ni Ijambo. Kubw'ivyo rero nasomye Ijambo ryiWe, tukaba tugiye gushira Ijambo mu rukinja kur'uno muhingamo. Ijambo riri mu rukinja.

4 Urubanza ni uru, amasezerano y'Ijambo ry'Imanaaburana n'isi. Imvo y'ibirego ni, kurenga ku masezerano. Kandi u…Nibaza yukoumushikirizamanza ari we yama aserukira reta. Nibaza yuko ari uko. Kandii…Satani niwe mushikirizamanza, aserukira isi, muri runo rubanza. Uwuregwa naWeni Imana. Hanyuma Icabona c'Uwuregwa ni Mpwemu Yera. Rero ngomba kugiraishengero, ikoraniro, kuba icarimwe abo kujurira n'abacamanza. Reka rero murikano kanya twumvirize urubanza, mu gihe dukumye amarido y'aho bibera tukabona aho twicaye. Ubu rero, ntimwibagire, yuko u -u …ico turiko turabonahano ni imvo ya runo rubanza, ni, Ijambo ry'Imana riburana n'isi. Imvoy'ibirego, ni, ukurenga kw'isezerano, ni ukuvuga yuko isi ivuga yuko ImanaYatanze isezerano ritari iry'ukuri. Ukwo ni ukurenga kw'isezerano, "Ntishitsaisezerano ryaYo." Hanyuma umushikirizamanza muri runo rubanza ni Satani,aserukira isi. Uwuregwa ni Imana ubwaYo. Nayo Icabona c'Uwuregwa ni MpwemuYera. Ubu rero sentare irashashe mu ntahe y'icese.

5 Ubu rero umushikirizamanza agiye guhamagara icabonaciwe ca mbere imbere ya sentare amurahize. Rero kandi, afise ivyabona bitatukur'uno muhingamo ngomba gukoresha, agomba gukoresha, nako, muri uru rubanza.Ivyo vyabona ni Mushingantahe Kutizera, uwukurikira ni MushingantaheGukekeranya, uwukurikira nawe aza kuba yitwa Mushingantahe Kutihangana. Uburero ivyo nivyo vyabona vyagiriza mur'urwo rubanza, yuko, "Imana IdashitsaIjambo ryaYo. Ijambo ryaYo si ukuri."

6 Kandi turashobora kubona, imbere yuko dutanguraurubanza, yuko -yuko abantu benshi bo mw'isi bagerageza kuvuga yuko ijambory'Imana atari ukuri. Nk'akarorero, ni nk'ivyo mperuka gusoma, nariko ndasomainsiguro z'amajambo muri Scofield. Kandi nariko ndiyumvira ku nkuru bambwiyeigihe kimwe. Ndibaza…sinibaza yuko noba ndigera ndayivuga, vy'umwihariko murikino gikorane. Ariko ni uko u -umugore umwe igihe kimwe yari afise umuhunguw'umusore mwiza, yashaka kuba umuvugabutumwa. Rero mu buryo kanaka yari umugorew'umworo, akaba yashaka yuko umuhungu wiwe aronka ubumenyi bwose bwizan'inyigisho yari ashoboye (ico buri mu mama wese yokwipfuriza umuhungu wiwe, mugihe yahamagariwe ico kintu), ko zobaye inyigisho nziza cane umuntu ashoboyekuronka, rero yashaka koko ko abironka. Niko rero guca amurungika muri seminari nziza cane aho yageza kumenya ko yomurungika.

7 Nuko rero, yari amazeyo nk'umwaka, hanyuma umunsi umwenyina afatwa bukumbi n'indwara, yari

amerewe nabi cane vy'ukuri. Hanyuma - hanyumababandanya bahamagara kuri terefone barungika n'ubutumwa kuri teregarame.Yibana wenyene. Kwari ukugira ngo ashobore kugaruka i muhira kuko yari yafashwen'ibicurane bibi cane, vyahavuye bivamwo umusonga, kandi yari afise ukuziba mu…. kw'amahaha, yari yiteze gupfa.Umutima wiwe wari umeze nabi cane. Kubw'ivyo uwo muganga w'umwizigirwa yarikoarakora ivyo azi vyose gukora, kugira ngo arokore ubuzima bw'uwo mugore, arikoyabandanya aremba. Niho rero uwo -uwo muganga yarungikiraa teregarama uwomusore, avuga ati: "Niwitegure ubu nyene. Ufatishe ikibanza mu ndege, ahoushobora kuza kuraba mama wawe umwanya uwo ari wo wose, kuko asa n'uwegerejecane igihe co gupfa." Niho rero uwo muhungu, n'uguta umutwe n'akantu, yateguraimpuzu ziwe yiteguriye gufata indege. Hanyuma -hanyuma haca haza teregaramaivuye kwa nyina wiwe ivuga iti: "Ntiwirirwe uraza, mwana. Narakize."

8 Hanyuma rero nk'inyuma y'umwaka, canke inyuma y'ameziatandatu, nibaza ko kwari uko, niho yasubira muhira. Amaze kuramutsa nyinawiwe, hanyuma batangura kuganira, aca avuga ati: "Mama, hariho ikibazo kimwengifise mu bwenge bwanje." Avuga ati: " Igihe wari urwaye," yongera avuga ati," ntiwigeze wandika ngo umbarire ido n'ido. Wavuze gusa ngo wakize, arikontiwigeze umbarira ido n'ido ry'ingene vyagenze." Aca avuga ati: "Mwananje, urazi hamwe harya hepfokw'ibarabara, hamwe nyene hahora iduka ry'ibifungurwa ahantu kanaka?" "Egome." "Hariho umugwi w'abantu hariya hepfo basengeramur'irya nzu ntoya."

"Egome,"avuga ati: "Ndabibuka, ni Abapentekote."

9 Avugaati, "Ego, ni vyo." Avuga ati: "Igihe nari merewe nabi cane," avugaati: "hariho umupfasoni mwiza yaje hano iwanje." Aca avuga ati: "Mushikanje,twari hariya hepfo mu gikorane c'amasengesho, niho twumva yuko urwaye cane,kandi yuko ufise umuhungu ari kure mw'i -mw'ishure ry'iseminari, kugira ngoazobe umuvugabutumwa. Kandi igihe twariko turasenga, Umwami Yaraduhishuriye yukotwoje kugusengera.' Hanyuma avuga ati: 'Neza.'" Avuga ati: "ivyo, birazakugenda neza.' Avuga ati: 'Mbega hari ingorane umwungere wacu aje mazeagasenga?' Nca mvuga nti, 'Oya ntangorane koko, mupfasoni. Vyompimbara,' mvugauko. Kubw'ivyo rero baca bazana u…Umuganga yaciye avuga yuko vyobaye ari vyiza.Niho rero uwo mwungereyaza, aca asoma kino Canditswe ngaha muri Mariko, igice ca 16. Aca avuga ati, "Ibini vyo Bibiliya yavuze.'" Niho rero yaca arambika ibiganza kur'uwo mugore mazearasenga, aragenda. Hanyuma avuga ati, we "yaciye akira," niko yaciye avuga.

"Ôo," avuga ati: "Mawe!" Avuga ati: "Mbega ivyo si vyiza cane, ga mwana? Ibazenawe!"

10 "Ôo" avuga ati, "Mama, ivyo koko ntaho bihuriyen'ugukira kwawe." Avuga ati, "birashoboka kumbure yuko imwe mu miti umugangayari yaguhaye imbere, ko itaciye ikora ako kanya nyene." Aca avuga ati, "Ôo!" Avuga ati, "Oyaye,mwana. Umuganga yari yahevye kumpa imiti imisi ibiri, avuga yuko ata na kimweyari agishoboye gukora. Yaciye anshira gusa mu guhabwa umwuka avuga yuko atakindi yari ashoboye gukora. Kandi nakomeza kuremba."

"Ôo," avuga ati, "Mama, nti -ntivyari ivyo." Avugaati, "Urabona, bariya ni abantu batize." Avuga ati: "Ntibatahura vy'ukuri. Bobasoma Bibiliya gusa." Avuga ati: "Urabona ?" Avugaati: "Neza, mbega ntidutegerezwa kwizera Bibiliya, ga mwana?" "Ôo,ego koko." Avuga ati: "Mama, tubwirizwa kuYizera, ariko," aravuga ati: "Urazi,mw'ishure," avuga ati: "Twarize yuko Birya vya harya yasomye muri Mariko 16,kuva ku murongo w'i 9 kubandanya, bitanahumetswe."

"Neza,"avuga ati: "Imana Ihabwe icubahiro!" Avugaati: "Mama, uriko urakora nka ba bantu." Avuga ati: "Kuki, ico ciyumvironyene!"

Avugaati: "Neza, mukundwa, nariko ndiyumvira."

Avugaati: "Wariko wiyumvira iki?" Avugaati: "Nimba Imana Yarashoboye kunkiza Ikoresheje ico gice c'Ijambokitahumetswe, Yokora ukungana gute Ikoresheje iryo ryahumetswe vy'ukuri?"Kubw'ivyo, ivyo, ivyo ni…[Ikoraniro riciye rikoma amashi -Umw.] Kubw'ivyoturizera ko Ryahumetswe.

11 Ubu rero, aha, tugomba tureke umushikirizamanzaahamagare ivyabona vyiwe, icabona ca mbere kize imbere y'intahe, kize gusuriraivyagiriji. Ibimpejeje kuvuga mu kanya gaheze, ni uko nariko ndasoma gusa, igihe narikondasoma ico gice, umushingantahe Scofield avuga yuko imwe mu mizingo ya keraKitarimwo. Aho niho kumbure ubwo bwangushi buva. Ariko Ico canditswe ni ukuri. ReroMushingantahe Kutizera ng'uyo ararengutse imbere y'intahe, akaba ahagaze muri kano kanya kugira ngoyagirize Ijambo ry'Imana, asure ivyo kuRyagiriza. Maze ubu rero amaze ku… Ategerezwa kuba ari we cabonaca mbere gihaguruka. Rero turabona yuko amaze kurahizwa, icagiriji ciwe ni iki,yuko "amasezerano y'Ijambo ry'Imana muri rusangi atari ay'ukuri." Rero, ibi vyabona vyose umushikirizamanza azana,bivuga yuko vyizera. Vyose bivuga yuko vyizera, canke, bigatanga ikimenyamenyacavyo, biti, "Ntitwokwigeze tuja mubikorane nk'ivyo iyo tutaba turi abizera."Ku bw'ivyo bi - bivuga yuko vyizera.

12 Hanyuma rero icagirije Mushingantahe Kutizera yagirizaIjambo ry'Imana, avuga yuko " Mariko 16 atari ukuri, ko bidashobora kuba ukurinamba." Kuko avuga yuko yari amaze igihe arwaye, hanyuma "aja mu

ciyitaigikorane ca Mpwemu Yera aho abantu bariko bararambika ibiganza ku barwaye,kandi bakavuga yuko bariko barakira." Niho rero yaja mur'uwo murongow'abasengerwa, hanyuma amaze kubikora…Yari amaze imisi arwaye cane, niho rero"yasengerwa n'uwo mugwi w'abantu ba Mpwemu Yera, ivyitwa ngo ni Mpwemu Yera,bomanga bongera bavuza urwamo, kandi bakavuga ngo bakize." Niho reroMushingantahe Kutizera yarengana uyu murongo, bamurambikako ibiganza, "Nonehaheze amezi abiri arenga, nta n'ikimenyetso na kimwe co gukira." Ku bw'ivyorero ashikirije yuko "Ijambo ry'Imana, ico gice, ko atari ukuri."

13 Ubu rero, umushikirizamanza aciye yicarika icabonaciwe ca mbere, aciye arengutsa icabona ciwe ca kabiri imbere y'intahe. Icocabona gikurikira kije, ni Mushingantahe Gukekeranya. Kirarahijwe, mazekirahagarara imbere y'intahe. Rero, cemeza yuko cizera, kandi yuko "cumvise mugisagara yuko hariho ishengero rifise umwungere w'umwizigirwa, uwiyita umuntuyubaha Imana, niko ishengero rivuga. Kandi uwo mugabo yarizera Ivyanditswe,niko avuga. Yarasengeye abarwaye rero aranabasiga amavuta. Maze aranasoma igicekivuga ivyo muri Bibiliya, muri Yakobo igice ca 5, umurongo wa 14, "Hari uwurwaye muri mwebwe?Nahamagare abakurambere b'ishengero, baheze bamusige amavuta, bamusengere;isengesho ry'ukwizera rizokiza uwurwaye, kandi Imana izomuvyura." Acaavuga rero yuko yinjiye, arwaye, ko vyanse gose yuko ashobora gukira bivanyen'iyo nyonko yisubiriza yari afise. Kandi umuganga yavuze yuko adashoborakuyikira, ata buryo na bumwe buhari kuri we bwo gukira. Kubw'ivyo rero araheza"afatira Imana Kw'Ijambo ryaYo," maze aca "aronka uwo mwungere yiyita uwubahaImana," uwo ikoraniro ryose ryari rifise intahe z'uburyo bwose yuko bakizeindwara, n'ibindi. Niho uwo mwungere yubaha Imana yamusengera, aramusigaamavuta, nk'uko Ijambo ry'Imana rivuga. Ntiyakekeranije ku kuba uwo muntu ajen'umutima wose, ntiyakekeranya ku kuba ikoraniro ribishizeko umutima wose;ariko uwo mwungere we yashikije itegeko nk'uko nyene Bibiliya ibivuga iti,mumusige amavuta hanyuma mumusengere. "None haraheze amezi arenga atandatu,"ariko "nta n'ikimenyetso na kimwe arerekana co gukira." Rero iyo niyo ntaheashinze. Nuko rero icabona kigira kabiri kiravuye imbere y'intahe.

14 Umushikirizamanza rero aciye azana icabona ciwegikurikira, ico naco akaba ari Mushingantahe Kutihangana. Aramuzanye mazeararahizwa, kugira ngo atange intahe yo kwagiriza Ijambo ry'Imana, yuko atariukuri. Uwo mugabo araje maze avuga yuko ari uwizera, kandi yuko umusi umweyariko arasoma muri Mariko, igice ca 16, canke igice ca 11 ca Mariko, nako,guhera ku murongo wa 22, aho Yesu ubwiWe… Avuga yuko "yari afise Bibiliya ifiseindome zitukura, kandi yuko ahandikishijwe indome zitukura yari Amajambo bwiteYesu Yikuriye mu kanwa, ubwiWe. Kandi yuko mur'iyo Bibiliya ifise indomezitukura, muri Mariko, igice ca 11, aho Yesu Yariko Aravuga, Yavuze ano majambongo, 'Mwamane ukwizeraImana. Kuko n'ukuri, n'ukuri, ndababwire nimwabwira uyu musozi muti "shingukautabwe mu kiyaga," ntimubikekeranye, ariko mukizera yuko ivyo mwavuze bishika,muzobibona.'" Kandi none "yari ikimuga," niko avuga hano, "igihe -igihec'imyaka myinshi," kuva akiri umuyabaga. Yari amugaye ibirenge. Yategerezwakugendera ku bibando. Niho rero iryo yaryemera nk'Ijambo ritananirwa ry'Imana,maze yibwira mu mutima wiwe ati, nk'uko abivuga, mu gushing intahe kano kanya,avuga ati, " Nzotambuka." Maze yemera Ijambo rya Yesu Kristo, avuga yukoyotambutse kuko Yesu Yabivuze. "Nimwabarira uyu musozi muti 'shinguka,' kandinimwemera, nimwasaba, mwizere yuko muronka ico mwasavye, muzokironka." Nihorero yabisaba, arabisengera, avuga ko "yari kubironka, none haheze imyakaitanu." Kandi aracamugaye ibirenge na n'ubu, nta mpinduka n'imwe aragira.

15 Ubu rero umushikirizamanza aciye aza ivyabona vyiwebimaze gutanga ahantu hatatu hatandukanye ho mu Vyanditswe ( akaba ari, na wenyene mu ma sentare y'abayuda, icabona), atanze ivyabona bitatu vyo mu Vyanditswe vyanditswe muri Bibiliyay'Imana, " bivugwa yuko Yesu Kristo ari We Yabivuze," uwo na We akaba ariUmwana w'Imana, Imana Yambaye umubiri, Ikaba mu Muntu, ukutananirwa. Mazeumushikirizamanza aca araza rero kugirango ashimangire urubanza ku bwanyubantu. Ubu rero, mwibuke, nimwe mujurira mukongera mukaba abacamanza.

16 Nuko rero umushikirizamanza agomba agomba yuko mumenyamuri kano kanya, mu gihe ariko arashimangira kandi uru rubanza, aba bantubavuga yuko ari abizera nk'uko n'abandi bose bavuga. Kubw'ivyo rero nawe nyeneavuga, umushikirizamanza ashaka yuko mumenya, yuko "Imana Idafise uburenganzirabwo gushira amasezerano y'ubupfu nk'ayo mw'Ijambo ryaYo, mu gihe Idashoborakuyashigikira, kuko Iyaha abana baYo bizera ngo bayagire ayabo. Mu kuyagiraayabo rero, biteza isoni bakanateterezwa, mukwiyitirira Amajambo atari ukuri."Umushikirizamanza rero, "Kuko vyaraYinaniye gushitsa amasezerano ya binovyabona bitatu, kandi vyakozwe neza na neza nk'uko Ijambo ry'Imana rivuga."Rero ashaka, umushikirizamanza ashaka yuko mumenya ko, "Imana Yananiwe, ahohose hatatu, kugaragaza ikintu na kimwe co gushitsa Ijambo ryaYo" (arikoarabishimangira ku bwanyu), "no kur'abo bavuga ko ari abizera."

17 Ubugira kandi, umushikirizamanza agomba guhindukira,abereke neza ikindi kintu kimwe. "Yo, ni ukuvuga Imana, Yarasezeranye yukoibintu vyose bishobokera abizeye. Ivyo yarabisezeranye." Ivyo umushikirizamanzaagomba yuko mubimenya. "Kandi abo bavuga ko bizeye baragerageje kugumya iryoJambo, ariko Yarananiwe kuRishitsa, kubw'ivyo rero Yarengukijwe kubwo kurengakw'isezerano." Ntaraheza n'ubundi, umushikirizamanza agomba kuberekaneza irindi Jambo ry'Imana. "Avuga yuko ari

muzima inyuma y'urupfu rwiWe. Yesuavuga yuko ari muzima inyuma y'urupfu rwiWe.” Aho rero umushikirizamanza agombayuko mumenya yuko “ata Muntu arabona afise inkovu z'imisumari mu biganza vyiWe,n'inkovu ku mubiri wiWe wose zivuye ku bimoko, be n'inkovu z'imisumari kubirenge vyiWe.” Ntarigera kandi “anabona igitsibo c'amahwa na kimwe ku mutwew'Umuntu n'umwe. Ariko n'ubwo biri uko akavuga ngo ni muzima inyuma y'urupfurwiWe. Arongera kandi Akavuga, mu Baheburayo 13:8, yuko ari muzima. Ariko sikobiri. Arongera kandi Akavuga, mu kigabane ca Luka, igice ca 17 n'umurongo wa30, yuko mur'ino misi tubayemwo mur'iki gihe, yuko Yokwihishuye; nk'uko YariAri kiriya gihe, ko Ariko Yobaye Ari. Arongera kandi Akavuga” umushikirizamanzaubu rero ariko arabashikiriza urubanza rushimangiwe, “yuko mu Vyahishuwe 10,yuko umumarayika w'indwi, niyatangura kuvuza inzamba” (ni ukuvuga u-umumarayika w'ishengero rya Lawodikiya abwirizwa guhamagara ishengero ngo rigarukeku Kwizera kwa ba Data), “yuko igihe uwo mumarayika azovuza inzamba, koamabanga yose y'Imana yobwirijwe guhishurwa mur'ico gihe. Yongera akavuga yukomuri Malaki 4, yuko abavugishwa bera bavugishijwe yuko hobayeho umuvugishwaazohaguruka mur'ico gihe, kugira ngo ashitse ivyo bivugwa. Kandi nta na kimwec'ukuri kiri mur'Ivyo! Yongera Akavuga yuko ijuru n'isi bizovaho, ariko yukoIjambo ryiWe ritazigera rivaho.”

18 Umushikirizamanza arafise urubanza rero hano. Arikoararushimangira neza. None rero arushikirije mwebwe abariko bararwumviriza,mwebwe muri abacamanza mukaba n'abajurira. Ubu rero twumvise uruhande rwiwe,twumvirije ivyabona. Twumvise ico baBivugako. Twumvise ivyo umushikirizamanzayasutsemwo, Ijambo, aranabishimangira yifadikije izo mpande zibiri,“Amasezerano yose Imana Yatanze, nta na rimwe ririmwo” ashobora kubona “yukoari Ukuri.” Kubw'ivyo rero ariko aragerageza kuronka ico yagiriza Imana,n'ukuba “Yo Yaratanze amasezerano y'ubupfu nk'ayo, kuko amasezerano ImanaYatanze ari ubupfu gusa. Amasezerano Yatanze kubwa kino gihe ni ubupfu gusa.Kuko ntayo Ishitsa!” Ubu rero twumvise uruhande rwiwe, ubu rero reka dusabeivyabona vy'umushikirizamanza, n'umushikirizamanza nyene bicare.

19 Ubu naho tugira duhamagare Icabona Kiregura Uwuregwa.Ico Cabona Kiregura muri kano kanya ni Mpwemu Yera, ubu rero Araje ahagarariyeUwuregwa. Ubu rero, ikintu ca mbere Ashaka kwereka sentare, aleluya, ni ukoumushikirizamanza ariko arasobanurira abantu Ijambo nabi, neza na neza kumweyabigira kwa Eva mw'itanguriro. Mwibuke, niwe yabaye umusobanuzi wiwe. ImanaYaravuze ivyo bategerezwa gukora, kandi ntihari kwigera habaho urupfu,imibabaro canke ikindi na kimwe, hanyuma araza asobanura Ijambo ukutari kwo.Kubw'ivyo igihe umuntu avuye inyuma y'Ijambo ry'Imana, aca ashikirwa n'iki?Ntaba agikingiwe n'Imana. Ariko, murabona, Satani ni we yabaye umusobanuziw'Ijambo kuri Eva. Ntiyashatse kumviriza umugabo wiwe be n'Imana, arikoyifatira insobanuro y'umushikirizamanza kw'ijambo. Kandi nta burenganzira afisebwo gutanga insobanuro, nk'uko kandi ata n'umuntu n'umwe afise ubwo burenganzira.Imana niYo Yisobanurira ubwaYo. Ntidukeneye twebwe; Irashitsa Ijambo ryaYo,turavyizeye. Ubu rero Agomba kubereka ico kintu, yuko wa musobanuzi nyene wa yaMajambo ya mbere y'Imana yari yavuzwe, ari we w'uwo mushikirizamanza arikoaragerageza ku -kuzana ibirego imbere ya sentare kur'uyu muhingamo, ni wa muntunyene, kandi asobanura Ijambo ukutari kwo. Ico ni co kintu ca mbere IcabonaKiregura gishaka kuvuga. Ubu rero, Kigomba kubereka bino bintu, yuko uwo yariwe musobanuzi wa Eva kandi yuko yasobanuye Ijambo nabi.

20 Ubwa mbere Agomba kubaha iki ciyumviro, yuko isezeranoari ir'abizera gusa; atari abigira abizera, abakekeranya, canke abatizera. Niiry'abizera gusa! Rero ashaka yuko iyi sentare… Icabona c'Uwuregwa (MpwemuYera) agomba yuko iyi sentare ibona yuko aya masezerano ari ayo abizera gusa. Hanyuma mu kibazo yabajijwe, yavuze ati: “Abo ni abizera!” Ubu rero Icabona c'Uwuregwa ubwaCo cabwirizwa kumenyako ari abizera canke atari bo, kuko ari Co kigira isezerano kuba rizima. Noneivyo ubirengana ute? Mpwemu Yera Yategerezwa kubimenya, kuko ari We Bugingoburi mw'Ijambo, ni We agira Ijambo kuba rizima. Kurya nyene impwemu yanyu ariyoituma umubiri ugira ubugingo, kandi umubiri uhabwa ubugingo na mpwemu; atampwemu, umubiri ntaco umaze, umubiri uba wapfuye. Ijambo naryo riba ryapfuyeiyo ritagira Mpwemu. Bisaba Mpwemu kugira ngo azane Ijambo, arigire rizima.Kandi ni We Mutangabugingo w'iryo Jambo, akaba rero ari We Cabona KireguraUwuregwa. Amen. Ivyo muza kubica hehe? Ngomba yuko iyi sentare ivyo ibitahuraneza cane, yuko ari We Mutangabugingo, Yabwirizwa kuba abizi. Ni We ahaubugingo Ijambo.

21 Icongeyeko, Agomba kwereka neza iyi sentare ibijanyen'iryo Jambo ryisezerano rivugwa. Ntiyigeze Ashinga igihe kanaka c'ahobazokirira. Yavuze ati, “Isengesho ry'ukwizera rizokiza uwurwaye, kandi ImanaIzomuvyura.” Ntiyavuze ngo, “ubwo nyene.” “Bazorambika ibiganza ku barwaye,nabo bazokira.” Ntiyigeze avuga, “umusi, ukwezi, umwaka.” Yavuze gusa ati,“Bazo!” Icabona c'Uwuregwa gishaka yuko ivyo mubimenya, yuko Atavuze kohokoretse igitangaza. Yavuze gusa ati, “Bazokira!” Nimusobanure Ijambo neza.“Bazokira.” Nta gihe kanaka yigeze ashiraho. Kandi, aho ni ukuvuga, nimba ariabizera! Nimba bizera, bazokira. Bazorambika ibiganza ku barwaye, nabo bazokira,“nimba ari ubu nyene, mu ndwi, mu kwezi, umwaka, imyaka cumi, imyaka mirongoibiri, imyaka mirongo itanu. ”Bazokira,“ Uko niko Yavuze! Ni ukuvuga, mu giheboguma bumiye ku kwizera kwabo. Ubu rero, ico ni Icabona c'Uwuregwa. Ikindi kintu, Icabona c'Uwuregwa kigomba ko sentareyihweza neza kur'uno muhingamo ni uko kandi, Ijambo ari Urubuto, kandi yukoUrwo rubuto rutegerezwa kugwa mw'ivu ryiza kugira ngo ruronke ubugingo. Urubutontiruzokurira ku rutare. Urwo rubuto rutegerezwa kuronka ahamera. Ijambo naryoritegerezwa

kugwa mu kwizera, akaba ari ho hantu hamera hatuma Ijambo rishika.Ubu rero Icabona c'Uwuregwa muri kano kanya…

22 Twari gushobora guhamagara abandi benshi, hagashoborakuvugwa vyinshi. Ariko ntitugomba kubatevya cane, dufise umurongo muniniw'abasengerwa. Nipfuza yuko mwebwe, sentare, mwumviriza. Icabona c'Uwuregwa muri kano kanya agira ahamagareicabona ciwe. Murabona, Icabona c'Uwuregwa kirafise uburenganzira bwoguhamagara icabona, kuko igihe umushikirizamanza yariko araburana, nawe yahamagayeicabona. Ubu rero Icabona c'Uwuregwa kigiye guhamagara icabona. Nuko Icabonac'Uwuregwa cipfuza kwereka iyi sentare, kur'uno muhingamo, umuvugishwa Nowa."Ngw'ino imbere, Nowa, ufate ikibanza. Ubu rero, ndazi yuko ufiseigishingantahe kijanye n'Ijambo ry'Imana wari warahawe." "Egome." Icabona uyu musi kigomba kubwira iyi sentare,yuko yari umuntu asanzwe maze yizera Imana. Kandi yabayeho mu gihe c'ubumenyi,aho bizera yuko igihe c'ibitangaza kitigeze kibaho. Imvura ntiyari bwigere igwakw'isi, ariko umusi umwe ahura n'Imana. Maze Imana Imubwira kubaza ubwato kubwokurokora abantu, kandi abari kuza mur'ubwo bwato bose bari kurokoka. Nuko reroicabona gishaka kuvuga yuko, mu cubahiro, n'umutima wose, cavyizeye. Gicagitangura kuvuga ubutumwa kivyamamaza. Kiraheza kiragenda, atari ukuvugaubutumwa kivyamamaza gusa, ariko kandi gituma ibikorwa vya - vyaco bishingiraintahe ukwizera kwaco, gica gitangura kwubaka ubwato.

23 Kandi ico cabona kigomba gutunga urutoke MushingantaheKutizera, na Mushingantahe Gukekeranya, na Mushingantahe Kutihangana. "Bangenzaijoro n'umurango. 'Ngo mbega ya mvura izogwa ryari? Aaa, haraciye umwakaubivuze, kandi nta mvura iriyo iyo hejuru. Twaragiye ku bashakashatsibarerekana yuko ata mvura iri iyo hejuru.' Baca bavuga yuko nari umusazi. Baranshinyagurijebambwira yuko yuko muri rusangi nari 'umusazi n'ikijuju' kwizera isezeranory'ubupfu nk'iryo, rinyuranye n'uburondezi muvy'ubushakashatsi." Ariko avugaati: "Nabandanije nkorera ku nteguro, kuko, narahagaze nshikamye kuko nari nziyuko ari Ijambo ry'Imana kandi yuko ridashobora kunanirwa. Narubatse ubwobwato. "Ubwato bumaze kurangira, abatwenzi baguma birukabazunguruka ubwato irya n'ino, uko bukeye, mu gihe nanje naba mpagaze mumuryango ndababwira ubutumwa. Baguma bavuga ngo, 'Ubu raba haheze imyaka ijanana mirongo ibiri, none ya mvura yawe iri hehe? Kubw'ivyo, urabona, ubutamebwawe bwose ni ubw'ubusa,' niko bavuga. 'Abashakashatsi bacu bari mu kuri, ntakintu nk'ico kiriho. Nawe uri umutama w'ikijuju gusa mu kwizera isezeranory'ubupfu nk'iryo.'

24 "Niho rero umusi washika ngomba nsohoke igitondokimwe, mva mu bwato. Hanyuma, ubwo nyene giturumbuka, ata kuboko kuwukozeko,umuryango uca uriyugara ubwo nyene imbere y'amaso yanje, hanyuma mba nugaraniweindani barahadadira. 'None vyagenze gute?' Naciye nurira ingazi nari narubatse,nduga hejuru ku gasongero, ndaheza nugururura idirisha. Narashobora kubumvahanze; Mushingantahe Kutizera yicaye ngaho, Mushingantahe Gukekeranya, hamwe naMushingantahe Kutihangana; bavuga bati, 'Mbega habaye iki? Yiteze ubwiwe nyene!Niho nibaza yuko ata nkeka imvura yari kugwa uwo mwanya. Kandi umusininjiriyeko zari itariki 27… canke umusiugira 17 w'ukwa Gatanu. Urugi rwiyugariye imbere yanje. Nca ndakoranya abantubanje bose, mvuga nti, 'Mwitegure imvura izoba itanguye kugwa mu minota mikeiri imbere.' Hanyuma, umusi wose, Mushingantahe Kutizera na Mushingantahe Gukekeranya be na Mushingantahe Kutihangana baguma bazunguruka irya n'inoy'ubwato bwanje, banebagura, bavuga ubwoko bwose bw'ibibi kuri jewe. Arikonabwiye ikoraniro ryanje nti: 'Nimwinumire. Imana Yarasezeranye.' "Umusi ugira kabiri, izuba ryaraserutse, rica ibibatsi; ata mvura, ata muturagaro, ata n'umuravyo. Umusi ugira gatatu, ukonyene, uwa kane, gatanu, gatandatu. Ariko mu gitondo c'umusi ugira 24 w'ukwezikwa Gatanu (inyuma y'imyaka ijana na mirongo ibiri), haje isoko ribomboranarimanutse riva mw'Ijuru. Ni uko abasizwe bose na Mushingantahe Gukekeranya,Kutizera be na Mushingantahe Kutihangana bahonera hanze."

25 Icabona C'Uwuregwa gica kivuga giti: "Imanukire, Nowa.Ngomba mpamagare ikindi cabona. Ngw'ino hano Mushingantahe Aburahamu, ngombayuko utanga intahe." Mushingantahe Aburahamu araje, avuga ati: "Narikondakora mu murima wanje hanze gato ya Uri, igihugu c'Abakaludaya. Nari nabiriyemushikanje dusangiye umuvyeyi umwe, izina ryiwe yari Sarayi nanje izina ryanjenitwa Aburamu. Niho nahura n'Imana, maze Imana Imbwira yuko nari ngiye kuronkaumwana kuri Sara. Kandi Sara, ico gihe, yari amaze imyaka mirongo itandatun'itanu, nanje nari maze imyaka mirongo irindwi n'itanu. Ni uko Imana Imbwirayuko noronse umwana biciye kuri Sara, kandi yuko biciye mur'uwo mwana ari hoisi yose yohawe umugisha, kandi yuko nanje nobaye sekuruza w'amahanga. Nihonaca nsubira inyuma vyihuta, kubw'uwo munezero wari mu mutima wanje. Namye ndiumuntu akunda abana, ariko niyumvira ko ntokwigeze ndonka na kamwe. Ariko igiheImana yavuga ko nari ngiye kumuronka, naraYizeye. Naragiye ku mugangagutunganya ibikenewe. Aca aranyirukana mu biro vyiwe, Mushingantahe Kutizeraniho yarin yicaye. Niho nasohoka ngenda mw'ibarabara, maze abategetsi bashakakumfata ngo bamfunge kuko noba ndi umusazi. Niho rero uko imyaka yabandanijeigenda, Mushingantahe Kutihangana yanturubika ijoro n'umutaga.

26 "Ukwezi kwa mbere, nabwiye umugore wanje, Sara.Murabona, yari yarenganye cane igihe co guca imvyaro. Imihango yiwe yariyarashize nk'uko bimera ku bakenyezi. Niho nabwira Sara nti, 'Mukunzi wanje,turafise udusheseti be n'ivyahi vyose, be n'i -i -ibifatisho? Turiteguye, siko?' 'Egome, vyose birateguye.' Bigiye kuba ubu, uraraba.' Hanyuma ku mperay'imisi mirongo ibiri n'umunani, nca mvuga nti,

'Wiyumva gute, mukunzi wanje?'Nta kirahinduka, Aburahamu.'" Neza, avuga ati, "Nca mvuga nti, 'Imanaihezagirwe! Sara, ntubikekeranye. Imana Yarabivuze, tuzomuronka uko biri kose!'Ivyo vyarabandanije imyaka n'iyindi. "Hanyuma uko imyaka yarengarenganako, MushingantaheGukekeranya, Mushingantahe Kutizera, bose baguma banyitwengera. Ariko mu myakamirongo ibiri n'itanu inyuma y'aho, uwo mwana yaravutse igihe nari maze imyakaijana y'amavuka. Imana ntiyari yambwiye yuko nari kuronka uwo mwana bukeye. YoYavuze gusa ko nari kumuronka! Kandi igihe vyafashe ntaco kimbwiye, ImanaYarabisezeranye! Narindiriye imyaka mirongo ibiri n'itanu. Bibaza yuko narigusaza cane hanyuma ngapfa, ariko navuze nti, 'Sinshobora gupfa, isezerano niiryanje. Imana Yarabivuze!'

27 "Ese ukuntu Mushingantahe Gashinyaguro naMushingantahe Kutizera, Mushingantahe Gukekeranya, Mushingantahe Kutihangana,baguma baza ubudahengeshanya, bari basize amavuta abantu, bavuga bati,'Aburahamu, mbega ubu ufise abana bangahe, ga se w'amahanga we?' Ariko narahagaze nshikamye, kuko ntigezentiriganishwa n'ukutizera kw'Ijambo ry'Imana. Nari nzi yuko Imana Yari Ishoboyegushitsa buri Jambo ryose Yasezeranye. Sinitegereza umubiri wanje bwite, wariakaheze, be n'inda ya Sara yari yarapfuye. Ariko nizeye Imana. Bavuga bati,'Neza, nibaza ko haheze imyaka mirongo ibiri n'itanu uvuze yuko ugiye kuronkaumwana?' 'Narabivuze koko haraheze imyaka mirongo ibiri n'itanu.' ArikoMushingantahe kutizera harya, aca avuga ati, 'Neza, imyaka mirongo ibirin'itanu irakunkumutse. Niwirabe rero uko umeze kano kanya! Ubwanwa bwawebuhakwa gukora hafi ku mavi. Raba, uri umutama.' Niho naca ndamwumvisha yukoImana Itigeze Imbwira igihe nari kuronkerako uwo mwana. Yavuze Iti, 'Uzomuronkakuri Sara,' kandi ivyo vyari bikwiye! Narahagaze nshikamye. Ijambo ntiryigezerivuga ryari, ryavuze ko vyobaye!"

28 Reka duhamagare ikindi cabona twihuta, nta mwanyamunini dufise. Twoshobora guhamagara amajana yavyo. Hinge duhamagare ikindicabona kandi, Mose, ashinge intahe. "Kuki," avuga ati: "Jewe nari nigishijwe mu bwengebwose bw'Abanyegiputa. Nari umwigisha ahambaye w'abatari babufise. Ariko umunsi umwe hariyainyuma y'ubugaragwa, maze kurenza imyaka mirongo umunani, narahuye n'Imana.Kandi Yari mw'ishusho y'i -y'ikimenyetso, Yari umuriro waka inyum mu gisaka.Niho Ya -Yambwira yuko Yumvise ugutaka kw'abantu baYo, maze Yibuka isezerano ryaYoryo kubabohora. Iraheza Ivuga Iti, 'Ndakurungitse.' Nca mvuga nti, 'Mbega jewendi iki? Sinshobora no kuvuga neza. Si -si -si ndi -si ndiu -si ndi umunyatewolojiya. Si -sinshobora kugenda.' Ica Ivuga Iti, 'Uzohabwaibimenyetso bibiri. Kimwe muri vyo kizoba ari ico mu kiganza cawe, ikindi nacokizoba ari ico inkoni. Kandi nibatumviriza amajwi y'ivyo bimenyetso, uzohezeusuke amazi hasi, azohinduka amaraso, ivyo rero birahagije.'

29 "Igihenafata ikimenyetso canje Imana yari Yampaye nkamanuka imbere ya Farawo,Umwungere Farawo, yaragerageje kugira ngo ingabire yanje igaragarank'iy'ubuswaganyi. Yavuze ati: "Hafi buri munyamareba asanzwe wese cankeUmunyegiputa ivyo arashobora gubikora. Hafi buri munyamareba wese asanzwearashobora gukora ayo mareba.' Aca ahamagaza abagabo babiri bitwa Yambure naYane, baca barigana koko ivyo narinakoze vyose. Ariko ivyo ntivyampagaritse, kuko rya Jwi ryandungika ryari Ijwirihuye n'Ivyanditswe, kandi nagumanye naryo. Ryari Ijambo ry'Imana. "Cariikimenyetso gihuye n'Ivyanditswe be n'Ijwi rihuye n'Ivyanditswe, 'Kuko Nibutseisezerano ryanJe, kandi igihe kiregereje.' Hari haheze imyaka amajana atabavugishwa baronse muri Isirayeli, mu myaka amajana ane na mirongo ine, ntabavugishwa bari bafise muri Isirayeli. Ariko Ivuga Iti: 'Ndakurungitse ngo ubeumwe.'" Hanyuma aragenda. "Kandi Yambwiye yuko, nk'ikimenyetso, ko nogarutsenkazana abana kur'uno musozi.' Vyafashe igihe kirekire, ariko narabikoze.Nagumye ndi umwizigirwa kw'Ijambo. Kandi igihe Yambure n'abo biganyi b'umubiribagerageza kubitwenga, nari nzi yuko naho bobitwenga ukungana gute…" Mwarimuzi yuko ivyo bizongera kuba kandi mu misi y'iherezo ? Yesu Yarabivuze.Bibiliya yavuze iti: "Nk'uko Yane na Yambure barwanije Mose, niko n'abo bagabobazobikora mu misi y'iherezo," abiganyi bagerageza nka naka, gukoporora. Ariko yavuze ati: "Nagumye ntekanye kuko nari nzi koririya Jwi ryari Ijwi ry'Ivyanditswe." N'ubwo bir'uko bo bari babiri, ariko weyari umwe. Ariko yaramanutse maze akora ivyo we…hanyuma we, vyarerekanywe kovyari ivy'ukuri, yaragarutse hariya kuri wa musozi nyene Imana Yari Yamubariye.

30 "Manuka, Mose. Reka duhamagare ikindi cabonatwihuta cane. Yosuwa." Yosuwa avuga ati: "Igihe twari twegereje ca gihugu,twarageze i Kadeshi Baraneya. Ni uko Mose, umusavyi w'Imana, aragenda afataabantuze bose…umwumwe muri buri muryango, umwumwe muri buri dini, maze avugaati, 'Tugende maze dutate ico gihugu.' Ni uko turaheza turagenda, babiri muritwebwe, hanyuma tugarukana ikimenyamenya yuko igihugu ari ciza." Bari bafiseikimenyamenya caco. Bo bari Abapentekoti nyakuri. "Niho bagarukanaikimenyamenya yuko igihugu ari ciza. Ariko hageze ku bijanye no gufata icogihugu cose, bavuze bati, 'Ntidushobora kubikora. Ntidushobora kubikora. Ntavyotwoshobora.' Kandi abantu bacitse umugongo bose, batazi ico bokora, idinibojamwo. Niho nabacecekesha, mvuga nti, 'Mwibuke, ni isezerano ry'Imana! ImanaYavuze Iti, "Narabahaye kino gihugu." Kandi ico Imana Isezeranye, Izogikora!'Abantu ndababahoza. Bukeye, barabaza bati, 'Mbega turagenda?' Umusi ukurikira,'Turaza kugenda?' Imyaka mirongo ine yaraheze, ariko twaregukiye ico gihugu!"'

31 Ikindi cabona kimwe, twihuta cane, nohamagaraYesaya imbere y'intahe. "Yesaya, urashobora gushing intahe ku ruhande rw'Icabonac'Uwuregwa, maze uburanire abitwariwe, Uwitwariwe?" "Ndayishinga. Nari umuvugishwa. Nari umuvugishwayemejwe. Ivyo navuga, ntivyari…Si -sinari nzi ivyo

ndiko ndavuga, ariko ImanaYarashikije ivyo navuze. Bose baratanguye kuvyizera, ishengero ryose,baratanguye kuvyizera. Hanyuma umusi uri izina ikintu gitangaje kirashika.Umwami Imana ambwira ati, 'Ab'Isirayeli barondera ibimenyetso, ngomba yukobabikora, ariko ngiye kubaha Ikimenyetso gihambaye. Kandi hazoba ari kubw'igihegihambaye, mu gihe bafise amasoko ahambaye n'indege zihambaye n'ibihambaye,ibintu vyose bihambaye. Ngiye kubaha Ikimenyetso gihambaye, inkumi izosamainda!' Nanje nk'umuvugishwa yashingiwe intahe, buri nkumi yose yaciye itanguragutegura udushesheti, n'ibindi, yari 'igiye kuvyara uwo mwana,' egome,mushingantahe, yari yo 'umwe Yehova yahamagara.' Ibintu vy'uburyo bwinshivyarabandanije. Egome, mushingantahe. 'Neza, ubu rero, turiteze, ko umukobwawanje, asama inda.' Uyu yiyumvira ko ari uyu,buri mwigeme yari avyiteze. Imyaka yararenganye. Bamwe muri bo batangurakwiyaga mu mutwe, bavuga bati, 'Uwo muvugishwa w'umusaza w'ikinyoma.' Arikovyabaye inyuma y'imyaka amajana umunani. Ntiyavuze igihe yosamiye inda, Yavuze gusa ko yosamye inda! Imyaka amajanaumunani inyuma y'aho inkumi yarasamye inda."

32 Ubu rero kubw'icabona ca nyuma, hamwe mwontunga, mbeganoshobora kuba icabona ca nyuma? Ivyo si ivya hariyainyuma kure muri Bibiliya, ni ubu nyene. Reka nanje mbe icabona gikurikira, muminota mikeya gusa imbere yuko dutangura umurongo w'abasengerwa. Nimwumvirizeneza. Nagomba kuMushingira intahe. Ndipfuza kurengutswa imbere ya sentare, mazenkakiriza ikiganza canje ngo mvuge Ukuri, atari ikindi ariko Ukuri. Nashakakuvuga, nashoboye kuba Umukristo nte ? Data na mama, sokuru, nyokuru, kumpande zompi, bose bari abanyavyaha. Kamere yanje rwari urwamfu, none ni gutenoshika aho mba urutete rw 'ingano ? Ariko igitondo kimwe mu kazugatoyi k'imbabari hariya epfo muri Kentucky, nk'uko mama n'umwakirizibavyiganye, ku wa 6 Ndamukiza, isaha cumi n'imwe zuzuye z'agatondo, 1909, igiheUmwami Imana Yanzana mw'isi, hariho Umuco wari uhagaze ku kadirisha. Igihebugurura ako kadirisha, mama yari aryamye ku gatanda gato k'imigano, kugira ngoarabe umwana avyaye uwo ari we, Umuco waciye winjira uzunguruka. Kandi abantubo mu misozi ntibari bazi uko boVyita. Nanje nari muto cane ngo menye ivyo bintu.

33 Hanyumank'umwana, ngifise nk'imyaka umunani, imyaka indwi canke umunani, nariko njanaamazi kw'iyengero ry'inzoga zibujijwe ryari irya data. Hanyuma umuhingamo umwew'indugumba yo muri Myandagaro, nari nicaye, ndiko ndarira, nashaka kujanan'abandi bahungu ku kidengeri kuroba, hanyuma ba…sinashobora kujayo kuko nategerezwakuvoma ayo mazi. Niho numva nk'umuyaga w'Agashururu mu giti, nko hagati nahagati uja hejuru. Ahandi hose hari hatekanye, muri Myandagaro muri Indiana,ibintu vyose biba bitekanye koko, biriko birapfa, mw'ituze. Hanyuma mur'akoGashururu mu gisaka, havuyemwo Ijwi, rivuga riti: "Ntuze wigere unywa itabi,unywa inzoga, wanduza umubiri wawe (ni ukuvuga gusohokana n'abagore), ikintuico ari coc ose nk'ico, kuko hari igikorwa uzokora niwakura." Niho mama yacaahamagara umuganga, yibajije ko mfise ibishavushavu. Iyinga rimwe inyuma y'aho, nabonye Ikiraro c'Igisagara, mu kujanwa, nk'uko navyita nabonye Ikiraroc'Igisagara kijabuka Uruzi Ohio, mbona abantu cumi na batandatu bagitakarizakoubuzima. Imyaka mirongo ibiri n'ibiri uhereye uwo musi, Ikiraro c'Igisagaracarubatswe aho hantu nyene, kandi abantu cumi na batandatu baragisizekoubuzima.

34 I Green Mill ijoro rimwe, mu gihe ntari nzi ico ivyobintu vyose bisobanura… Mu nyuma nahavuye mba umuvugabutumwa ngo nkorereUmwami. I Green Mill ijoro rimwe…Abungere banje bari bambwiye gusa… Narababwiraibijanye no kugenda, kugira intuze… kuba nshoboye kubona ibintu, baca bambwirako ari abadayimoni. Nanje nk'Umukristo, sinashaka ikintu na kimwe gifitaniyeisano n'abadayimoni, na gato. Niho rero naduga hariya, mvuga nti: "Mwami,sinshobora kureka…kubandanya mbaho nk'uku." Niho niho nicara inyuma gose ahantubakorera ivyo kuroba, ndiko ndasenga. Hanyuma ijoro rimwe ngaho, nk'uko Umwamiyari yavuganye nanje, mu giti, nk'uko Yabigenjeje kuri Mose. Niho rero ahonyene i Green Mill, hinjiye Umuntu ambwira kutagerageza kumusaba ngo: "NkurakoIki kintu," ariko yuko yari ingabire yarungitswe n'Imana, yategerezwa kuzojanwaku bantu bo kw'isi, kandi yongera amenyesha biciye ku Vyanditswe yuko ibi bintuvyose vyasezeranywe nk'uko Bibiliya ibivuga bitegerezwa gushika, yuko igihecari hafi. Nca ndasubira inyuma ndabibwira umwungere wanje.Naramanutse ndabimubwira, maze aca avuga ati: "Billy, mbega wari wafunguye iki?Mbega wararose, mbega yoba yari indoto mbi?" ariko, kuri jewe, yari Malaki 4.Yavuze ati: "Uzobikora ute?" Yari Luka 17:30. Vyari kandi Ivyahishuwe 10. Vyarikandi ibi Vyanditswe vyose vyasezeranywe kubw'imisi ya nyuma. Sinabibonyebishoka bikoreka ubwo nyene. Abantu baribaza bati, "Mbega ibi bizoshika ryari?"Ariko nagumye nshikamye neza.

35 Umunsi umwe ku ruzi, nariko ndabatiza abantu amajanaatanu ku ruzi, igihe, mu buryo giturumbuka, wa Muco nyene winjira igihe narinkiri agahungu gato waseruka.Kandi nari narabwiye abantu ko nahora ndaWubona. Baca bavuga ko naba ndikondarota kandi yuko bwari uburyo kanaka bw'ivyiyumviro vyo mu mutwe nari mfise.Ariko imbere y'abantu barenga ibihumbi bitanu, isaha umunani z'umuhingamo, mu1933, mu kirere haraje ico Gicu camanutse, kivuga aya Majambo ngo: "Nk'ukoYohana Umubatizi yarungitswe gutegura ukuza kwa mbere kwa Kristo, igikorwa cawekizotegura ukuza kwa kabiri kwa Kristo," aho abantu ibihumbi kugwiza ibihumbibavyumvise, ndetse n'ibinyamakuru birabishingira intahe. Ngomba kuvuga, kandi gukebura uwo mushikirizamanzaw'impumyi ariko ararondera hose umuntu kanaka afise inkovu z'amahwan'imisumari, n'ibindi vyose nk'ivyo. Ntibivuga uko! Nta sezerano nk'iryoryatanzwe.

36 Turasoma hano muri Luka, ikigabane ca 17 n'umurongo wa30, Yesu ariko aravuga ati: "Nk'uko vyari

biri mu misi ya Sodomu, niko bizobaigihe Umwana w'Umuntu azohishurwa.” Mu gihe azoba ariko arahishurwa! Ngombayuko mwihweza neza bino bintu mu minota mike gusa, hamwe mwonyihanganira iyindiminota mike gusa. Nimube mukwubaha vy'ukuri mu minota mike gusa. Nimurabe, Yesu Yiswe amazina atatu; Umwana w'Umuntu,Umwana wa Dawidi, Umwana w'Imana. Yari Afise amazina atatu. Co kimwe na kumwekwa Data, Mwana, Mpwemu Yera; ya Mana nyene, ivyubahiro bitatu. Nk'uku kwanje. Umugore wanje anyita umugabo.Ariko abana banje ntaco duhuriyeko kw'izina ry'umugabo, ndi se wabo. Uryamwuzukuru wanje muto yicaye harya, ntaco duhuriyeko kw'izina rya data, ntan'ikihari kw'izina ry'umugabo, ni umwuzukuru wanje. Kandi ivyo vyose akaba ariwa muntu nyene.

37 Kandi turabona yuko igihe Yesu Yaza Akageragezakwihishura ubwiWe nk'Umwana w'umuntu (ibi ntibibacike), igihe Yihishura AkagumaYiyita, “Umwana w'Umuntu,” Abisirayeli barahumishijwe. Ntibigeze bamenya ikintuna kimwe ku co Umwana w'umuntu casigura. Ariko bavuze ngo: “Umwana wa Dawidi,”aho ya mpumyi Barutoromayo yaciye iza yirukanga iraMumenya. Dawidi vyasobanura“Umwami.” Nimwibuke, Umwana w'umuntu, Umwana wa Dawidi, Umwana w'Imana (akabayari Umwami). Uwo Muyuda yararonse ico yasavye kuko yaMwegereye mw'Izinary'Umwana wa Dawidi, Umwami; ntiYari Umukiza, ariko Yari Umwami.Ariko igihe wa mugore w'Umugirikikazi, wa Musirofoyinike yaMwegeramw'Izina ry'Umwana wa Dawidi, ntiYigeze Anahindukiza n'umutwe wiWe. Nta co yariafise aMubaza mw'Izina ry'Umwana wa Dawidi. Ntiyari Umwana wa Dawidi kur'uwomugore w'Umusirofoyinike.Ariko igihe yavuga ati: “Mwami,” aho rero Yaciye ahindukira. Yari Umwami.Murabona? Umwami, Yari Umwami! Atari Umwana wa Dawidi kuri we.

38 Ubu rero, ni kubera iki none Atamenyekanye nk'Umwanaw'umuntu? Umwana w'umuntu yari impishuro ya yo mu buryo bwa mpwemu,umuvugishwa. Umwana w'umuntu bisobanura “umuvugishwa.” Ubu rero hamwe mwozingurura muri Bibiliya zanyu muriEzekiyeli, igice ca 2 n'umurongo wa mbere, murabona yuko Ezekiyeli yariumuvugishwa, Ijambo ry'Imana kur'ico gihe. Kandi Yehova ubwiWe Yamwise umwanaw'umuntu. Yehova yamwise umuntu, umwana w'umuntu, nk'uko Yesu na We Yihishuyenk'Umwana w'umuntu. Vyari ibiki? Ijambo ryasezeranywe ry'ico gihe ririkoriragaragazwa, ya Mana nyene! Imana yo mu gihe ca Ezekiyeli, Imana yo mu giheca Yesu, Umwana w'umuntu! Mur'ico gihe We ntiyari… Yari Umwana w'umuntu kuko Yari Yaje KwihishuriraIsirayeli nk'Umuvugishwa hanyuma baravyanka. Ariko ubwo nibwo bwari ubuvugishwabw'uko bategerezwa kuMwakira, mw'Izina ry'Umwana w'umuntu, Umuvugishwa, kukovyari bijanye n'Ijambo. Gusubira mu Vyagezwe 18:15, “Uhoraho Imana yanyuazobahagurukiriza Uvugishwa n'Imana ameze nkanje.” Kandi igihe Yaza,Yiyerekanye mu gikorwa ciWe nk'umuntu, atari Umwana w'Imana, Umwana w'umuntu!Imana ni Impwemu. Kandi Yihishuye ubwiWe nk'Umwana w'umuntu, ico Yavuga yukoAri. Ariko barahumishijwe ku buryo batashobora kubibona.

39 Ariko ubu ku Banyamahanga Yihishura ubwiWe, nk'Umwanaw'Imana ari We Mpwemu Yera. Ubu, Yesu Yavuze ati: “Nk'uko vyari biri mu misi yaSodomu!” Ngomba yuko iyi mpumyi y'umushikirizamanza ibiibibona. Ni umusobanuzi w'Ijambo w'impumyi, igihe cose. We afata ivyiyumvirovyiwe vy'ikidini kuri Ryo, kandi ntaco azi kuri Ryo kirenze na kimwe. Ivyoabikora kugira ngo azimize, kuko ari umubeshi uhereye ubwa mbere na mbere. Yesu Yavuze Ati: “Nk'uko vyari biri mu minsi ya Sodomu,igihe Umwana w'umuntu azokwihishura!” Mu minsi ya Sodomu Umwana (yari Imana)Yarihishuye mu mubiri w'umuntu, uwo igihe kimwe wiswe Melekisedeki, Data.Melekisedeki ico gihe nta se canke nyina yari afise, canke ngo agire itangurirory'imisi canke iherezo ry'ubugingo, Uwo Yari Ari Wese, Aguma Ari wa wundinyene. Yesu Yari Afise Se na nyina; ariko uwu Mugabo we ntiyagira se na nyina.Kandi Yiyeretse Aburahamu mw'ishusho y'Umwana w'umuntu, Elohimu, Yehova. Ishengero rero ryarakoze biciyemu gihe c'ishengero, mu mubatizo wa Mpwemu Yera. Ariko Yesu Yavuzehano, kugira ngo agire Malaki 4 n'ivyobindi Vyanditswe ivy'ukuri kuri mwebwe, murabona, yuko “mu minsi y'iherezo,imbere gato ya kwa Kuza, isi izoba imeze nka Sodomu, hanyuma Umwana w'umuntuAzokwihishura ubwiWe nk'Umwana w'umuntu nk'uko Yabikoze mu misi ya Sodomu.” Wa mushikirizamanza w'impumyi we, mbega ivyontushobora kubibona? Amajambo yiWe ni ukuri. Si inkovu z'imisumarin'ibimenyetso n'amahwa.

40 Ni Umwana w'Imana Aserukiwe mw'Ishengero ryiWe,nk'Umwana w'umuntu. Bitegerezwa gushitsa Malaki 4 n'ivyo Vyanditswe bindi.Ndasavye yuko sentare yumviriza neza, ivyo muvyihweze neza cane, “Umwanaw'umuntu”! Nk'uko Imana Data, Imana Mwana, Imana Mpwemu Yera; ari Imana Imwe,ibikorwa bitatu bitandukanye vy'Imana Imwe. Rero, uwu ni Umwana waDawidi…Umwana w'umuntu ariko ariko ahishurwa ico gihe nk'Umuvugishwa.Umwana waDawidi, Umwami. Ubu rero Umwana w'Imana ku gihe c'ishengero, nk'uko, Imana siumuntu, Imana ni Mpwemu, hanyuma Umwana wa Mpwemu ni Mpwemu Yera, arikoarahishura igihe c'ishengero. Ariko vyarasezeranywe hano yuko, “Mu minsi y'iherezo,yuko Umwana w'umuntu yokwihishuye!” Wa mpumyi y'umushikirizamanza we, mbega ivyourabitahura? Kandi nshaka yuko umenya, wa mpumyi y'umushikirizamanza we, kotuBibona, ko tuVyizeye, ko ayo Majambo yashitse imbere yacu kandi turazi yukoari ay'Ukuri.

41 Ku Bayuda Yari Umwana wa Dawidi. Ku Bagiriki YariUmwami, kuri twebwe ni Umwami, ku Banyamahanga. Ubu rero mu misi ya nyuma,Yokwongeye kugaruka kandi nk'Umwana w'umuntu, kuko Malaki yasezeranye yukohobayeho umuvugishwa yohagurutse mu misi y'iherezo yogarukanye imitima y'abantuku ( kure y'ayo madini) yoyigarukanye kuri rya Jambo ry'inkomoko, Ukwizera kwaba data, Pentekoti yo ku nkomoko. Kandi igihe Yabikora, Yohana Mweranda 14:12,ibikorwa Yakoze vyokozwe

kandi. Ivyahishuwe 10 hasezeranye ko ryobaye ibangaryose.Uzohishura amabanga ute? Kuraba ivyo Luteri yasize ku ruhande, kurabaivyo Wesileyi yasize ku ruhande, kuraba ivyo Pentekoti yasize ku ruhande, noguhishura ibanga ryo mu mutima, kugira ngo ibe ya Mana nyene mu bihe vyose,atari ikindi uretse Ijambo ry'Imana ririko ririgaragaza ryongera kugaruka kuMwana w'umuntu. Ntiturondera inkovu z'imisumari; turondera Ijambo ryagaragajwe.Nimurabe, Imana Yarasezeranye ivyo bintu, kandi Ibikora neza na neza nk'ukoYavuze. Nari gushobora kuvuga vyinshi, ariko, tugiye kuva kuri kino cigwa,turiko turacererwa.

42 Mushingantahe Mushikirizamanza, ngomba yuko umenya konari gushobora guhamagara ibihumbi vy'ivyabona hano kur'uno muhingamo. Ngomba yuko umenya ko ibintu Yavuze, turiivyabona yuko "Ashitsa Ijambo ryiWe!" Hariho igikorane ca Mpwemu Yera nyakuri!Hariho ubushobozi nyakuri bw'Imana! Kandi hariho isezerano nyakuri yuko bazokira,nibarambika ibiganza ku barwaye. Ivyo ngomba yuko ubimenya. Ngomba yuko umenyako Yavuze Ati: "Nk'uko vyari biri mu misi ya Sodomu, niko bizoba mu kuzakw'Umwana w'umuntu."

43 Jewe ndi ingezi, nshingira intahe ivyo Bibiliya ivugagusa ko ari Ukuri. Muravye neza, waMumarayika w'Uhoraho Yaje mw'ishusho y'umuntu, Yari Yahindukirije umugongo wiWekw'ihema, Araheza Abwira Aburahamu ivyo Sara yariko ariyumvira. Yesu Yavuzeyuko vyokwongeye kuba. Ubu rero, nimba navuze Ukuri, Imana nIvyemeze ko ari Ukuri.NIbihishure. Aho rero, ntirizoba rikiri ibanga, tuca tubimenya rero. U… Nsigiyeiyi sentare kur'uno muhingamo igikorwa co guca urubanza, gufata ingingo yayobwite. Imana Yasezeranye…Atari muri kiriya gihe; yaremejwe. Reka iyo ManaYasezeranye ivyemeze uyu musi, ivuge nk'ivyo nyene. Bamwe muri mwebwe, mwiyumviremu mitima yanyu, musenge Imana kubw'ingwara zanyu canke imibabaro, hanyumamurabe nimba Imana Iza guhishura ibanga ryo mu mutima, ndabahigishije kubikora,mu mpande zose. Mubona mbega nokwubahuka gukora ikintu nk'ico iyaba neza naneza ku co Ivyanditswe bivuga? Ngomba yuko ino sentare ibona ko Ari we wa Wundinyene ejo hahise, uyu musi, n'ibihe vyose, yuko Ashitsa amasezerano yiWe. KandiYasezeranye yuko Yesu Kristo Yohishuwe mu misi ya nyuma, nk'Umwana w'umuntu. [Agacekatavuga kuri bănde -Umw.]

44 Uyu mugabo yicaye hano arwaye Emoroyide. Sindigerandakubona mu buzima bwanje. Nimba ukwo ari ukuri, kiriza ukuboko kwawe.Uranyizera yuko nshingira intahe Ijambo ry'Imana ? Uwo yicaye i ruhandeyawe ni umugore wawe. Nawe nyene ararwaye, ikivyimba ku mutwe wiwe. Ukwo niukuri, kiriza ukuboko kwawe. Murizera yuko Imana Ishobora kumbwira abo muribo ? Nimba Ikiri Ijambo, Ijambo rirazi ibanga ryo mu mutima. MuriUmushingantahe n'Umupfasoni Hunt. Nimba ukwo ari ukuri, nimukirize amabokoyanyu. Kuber'ikimutaVyizera? [Mushiki wacu umweatanguye kuvuga mu ndimi. Agace katavuga kuri bănde -Umw.] Hano,hicaye umugabo umwe yicaye hano nyene, yunamitse umutwe, ariko ararira,yisengera asengera n'umugore wiwe. Ntari ngaha. Ntimuri kumwe kur'uno muhingamo. Ararwaye. Uribaza yukoImana Yoshobora kumbwira ingorane yiwe iyo ari yo, kandi atari ngaha?Uravyizeye? Uravyizeye? Jewe ntaho tuzinanyi, mbega uko ni ukuri? Umugore waweafise indwara y'abakenyezi. Nimba ukwo ari ukuri, kiriza ukuboko kwawe, hejuru,kugira ngo bakubone. Hanyuma izina ryawe ni Umushingantahe Smith. Mbega urizerayuko Imana Iza kumukiza? Nimba ivyo ari ko biri, nuzungagize ikiganza cawe, nk'uku.

45 Ndabahaye gahinyuza ngo mwizere yuko Yesu KristoYahishuwe mw'ishusho y'Umwana w'umuntu, mu mubiri w'umuntu, biciye mu Mubiriw'Umugeni. Nimwemere umuhamagaro wiWe. Ng'uwu umugore yicaye hano ariko arandaba. Arwayeivumbuka ry'imirindi y'amaraso riri hejuru cane. Mbega urizera yuko Imanaishobora kumbarira uwo uri we? Bakwita Daisy. Nimba u… Mbega ukwo ni ukuri?Kiriza ukuboko kwawe. Wizere muri kano kanya n'umutima wawe wose, Yesu KristoAragu…Araguha ico wipfuza. Murabona, ni We wa wundi nyene ejo hahise, uyu musin'ibihe vyose. Mbega muravyizeye? Ng'uyu umugabo yicaye hano inyuma gato ariko arandaba,arafise umutwaro ku mutima wiwe. Ni kubw'umuhungu wiwe, umuhungu afisediyabete. Mbega urizeye? Uwo ni umugore wawe yaciye atangura kurira aho nyene iruhande yawe, arafise umutwaro ku mutima wiwe. Ni ku bwa mwenewabo. Mwenewaboafise indwara y'umutima, ingorane. Muri Umushingantahe n'Umupfasoni Sickles.Nimba ukwo ari ukuri, nimuzungagize ibiganza vyanyu nk'uku. Nimba ata na hamwe tuzinanyi namba, nimuhaguruke.Nimuhaguruke, nimba ataho tuzinanyi nkaba ntabazi. Ni ibiki? Ugushitswa kw'Ijambo ry'Imana mu misi yanyuma! Mushikirizamanza, ngomba ko umenya yuko Ijambo ry'Imana ari Ukuri. IvyoImana Yabimbariye haraciye imyaka mirongo itatu n'itatu. Nararindiriye iki gihecose, ariko birashikijwe hano nyene kur'uno muhingamo. Imana Irashitsa IjamboryaYo! Ni We wa undi nyene ejo hahise, uyu musi n'ibihe vyose. ImanaIbahezagire; gende muronke ico mwipfuza kano kanya.

46 Ivyiyumviro vyanyu nivyo bijurira. Abajurirabategerezwa gufata ingingo. Kandi uburyo ukora uhereye ubu kubandanyaburatangaza canke burereka abantu urubanza waciye urwo ari rwo. Mbega Irafiseamakosa canke nta makosa Igira? Mbega murizera yuko ata makosa Igira, yukoIshitsa Ijambo ryaYo koko? Ni twebwe dufise i… Turumviriza mutama Kutihangana,Mushingantahe Kutizera, na Mushingantahe Gukekeranya. Ariko ubu murizera yuko Imana Ishitsa IjamboryaYo? Ivyiyumviro vyanyu ni vyo bijurira. Kandi uburyo mukora uhereye ubunibwo buza kugaragariza abantu urwo mwaciye urwo ari rwo. Ivyo muravyizeye?Twunamike imitwe yacu rero. Nababwiye Ukuri kudaseswa. Iyaba twari dufise

akanyako kuguma hano nta Canditswe na kimwe kiri muri Bibiliya kidashingira intaheivyo nyene. Navugishije ukuri. Murazi, rimwe na rimwe, kuba imvugakuri siikintu coroshe. Ariko igihe cose Imana Ihagaze ngaho! Ntivyari vyoroshe kuriLuteri, Wesileyi canke no kur'abo band bose. Ntivyoroshe kuri mwebwe canke kuwundi wese afata uruhagararo. Ariko kur'uno muhingamo utegerezwa gufatauruhagararo rwawe. Ntiyigeze Avuga ngo… Yavuze Ati: "Bazorambika ibiganza kubarwaye, nabo bazokira." Nimba muvyizeye, aho rero sinitayeho nimba bishika ahanyene, canke bizoshika mu ndwi iza, ko bizoshika mu myaka mirongo ibiri uhereyeubu; nimba muvyizeye mu buryo ntabanduka koko, bizoshika. Jewe…

47 Hariho umuganga yicaye hano mur'aka kanya, nimbanatahuye neza. Ngomba kumushimira. Nagiye kuraba umurwayi, kuraba umurwayiwiwe, mu kanya gaheze, kare mur'iki gitondo mu bitaro, ategerezwa gupfa, nk'ukobo bavyibaza. Yarariwe cane na Kanseri. Niho uwo mugore muto yambwira, avugaati: "Umuganga wanje abaga yaraje mu gikorane cawe, kandi aremeranya nawe.Kandi si ivyo gusa, ariko kandi, Mwene Data Branham, ngomba yuko umenya koanifadikanije nawe mu masengesho kubwanje." Iyaba nari nkeneye ukwitabwahomuvy'ubuvuzi, nokwipfuje yuko ari we yomvuye, umuntu ashobora kwizigira Imanank'uko! Egome. Bariho mu bice vyose vy'ubuzima, mu buzi bwose. Twibuke yuko uguca urubanza ari ukwnyu ubu.

48 Mwami Yesu, nagerageje gusigura Ijambo. Nawewagaragaje yuko ari Iry' Ukuri Ivyabona vyaWe, twari gushobora kuba twahamagayeamajana n'amajana, ariko nta kanyadufise. Hano kandi ibitambara vyarambitswe hano, biza kujanwa ku barwayen'abababaye, hano nyene aho Mpwemu Yera ashinga intahe ko Yesu Akiri muzima.TuMuzi biciye ku Bugingo bwiWe, bwa Bugingo Yabaho, ivyo Yakoze. Kanditurasavye, Mana, mur'aka kanya mu gihe turambitse ibiganza kuri bino bitambara,yuko abo biza gukorako bose baca bakira. Ndashikirije isengesho ryanjen'ukwizera, dufatanije n'uwu wundi mugwi wose w'abizera, kubw'aba badashoboyekuba ngaha. Reka banezerererwe ubuhambazi bw'Imana. Barashobora kuba barwayemaze ntibashobore kuza. Umu papa w'umusaza kanaka yicaye hiyo inyuma mu cumbakanaka, akuyakuya inkoni yo kwishimikiza nto year, kur'uno muhingamo,arindiriye yuko iki gitambara kigaruka. Uriya mwana aryamye hariya mu bitaro,ariko ararurumbishwa n'inyonko, mu gihe hari uwurindiriye ko bamuzanira ikigitambara. Reka ubushobozi bw'Imana Mushobora vyose bujane navyo, bubisige narya sigwa nyene ryari mu gikorane kur'uno muhingamo. Kandi bakire, Mwami.Turadugije rino sengesho kubwa bo, kuko atariho bari bari. Ariko wewe Uberahose icarimwe. Nube hariya kubwo kwemeza Ijambo ryaWE, mw'Izina rya Yesu Kristo.

49 Ubu rero reka Mpwemu Yera vy'ukuri, atari ibishobisho,atari uburyo kanaka kw'ivyizigiro bidafashe, ace urubanza nyarwo muco nise,"sentare" kur'uno muhingamo. Reka umwumwe wese muri bo atange intahe nk'ukonyene, mu gihe bariko baratora amakarata yabo yo gusengerwa bakayafata mubiganza vyabo, mu gihe bariko bararengana hano imbere. Ese, nibamara…nibababariko baritabwaho nk'uko igice ca 16 c'Umweranda Mariko kivuga, "Bazorambikaibiganza ku barwaye, nabo bazokira." Mu gihe umukozi waWe yatoranijwe ahagazehano hanyuma tukabarambikako ibiganza, Mwami, reka ikibazo gihereubutakigaruka. Baze gusohoka hano banezerewe cane, ku buryo bibagira n'ukobigeze kugira ingorane, kuko bazi neza, nk'uko Aburahamu yari ari, yuko ImanaIshoboye gushitsa amasezerano Yatanze. Tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

NdaMukunda, NdaMukunda

Kuko Yabanje kunkunda

Akagura agakiza kanje

Ku giti i Kaluvariyo

50 Nibangahe mwamaze guca urubanza? Nimukirize amabokoyanyu, "naciye urubanza." Neza, sentare, muza kwitabwaho nk'uko Ijambo ryerandary'Imana rivuga: "Ng'ibi ibimenyetso bizokwama bikurikira abizera." Singombakubareka, mwebwe mwicaye hano ngo mwibaze yuko kubw'iyi ngabire gusa, ko ivyobituma umuntu aba uwuhambaye kurusha uwundi wese. Murafise abungere bubahaImana hano. Bari ngaha, turaza kubasaba bahagararane nanje hano imbere. Barazakurambika ibiganza kur'abo nyene nk'uko nanje ndabikora. Baradutumiye ngo tuzehano, kandi bari ngaha nk'abantuze banyu… nk'ivyabona vy'Imana. Bashingiraintahe kwa Kuri. Ubu rero, ntimushobora kuvuga ngo: "Mwene Data Branham ni weyarambitseko ibiganza," kuko ibiganza vyanje ntibirengeye ivyabo cankeivy'uwundi muntu wese. Ni ukwizera kwawe, urubanza waciriye Ijambo ry'Imana.Imana Irashi… Kandi nimba Imana Ishobora gushitsa ico gice c'Ijambo IkongeraIkabibagaragariza, ni ukuvuga rero ko mwamaze gukira, kuko ari kubw'imishishaguyiWe mwakize.

51 Ubu rero, ngomba yuko abari mur'uru ruhande ngaha, bafise amakarata yo gusengerwa, bahagararekur'urwo ruhande ruhera ku rukuta. Abari mur'uru ruhande bose, bafise amakarata yo gusengerwa, nimuhagararehagani y'imirongo hanyuma murabe inyuma ahagana hariya. Hanyuma abari mur'uru ruhande bose hano, bafise amakarata yo gusengerwa…Ubu rero, kur'uru - uru ruhande ngaha, nimuhindukire murabe hariyaaka kanya, nimusubire inyuma uku. Nimuhindukire murabe hariya, kuko

ngombaumurongo ugororotse. Abari mur'ururuhande mwese, nimuze ngaha uku, murabe hariya inyuma. Abari mur'uru ruhande nabo hano, bafise amakaratayo gusengerwa, nimuze uku hanyuma murabe inyuma muri ruriya ruhande, umurongow'amasengesho uza kuba uriko urabandanya. Abari hejuru bose, bafise amakaratayo gusengerwa, bashaka gusengerwa, nimumanuke hanyuma mwipange inyuma y'uwumuce ukurikira mu gihe bariko baraza. Mu gihe bariko baraza, nda…

52 [Mwene data Branham avuganye n'abakozi b'Imana ku gicaniro-Umw.] Mushaka yuko mpamagara abandi bakozi b'Imana? Mbega ni vyizagutanga intahe? Mwese, mbega ni neza kuri mwebwe mwese? Mwafashe ingingo kimuri rwa rubanza? [Mwene Data umwe yishuye ati, "Ndazi yuko ivyo bintu ariUkuri."] Ni vyiza. Abungere bashaka kumenya, bashaka gufadikanya n'abandibakozi b'Imana. Bashaka yuko buri mukozi w'Imana wese ari hano yizera Imana,kandi yizera kurambika ibiganza ku barwaye, nimba urwo baciye kur'unomuhingamo, yuko ari "Ukuri," barabatumiye nka bagenzi babo mu gikorwa ngo muzehano maze muhagararane hano imbere hamwe natwe mu gihe turiko turasenga.Abungere bose buzuye Mpwemu w'Imana, kandi ubu urwo mwaciye ni uko mwizeye yukoari We wa wundi nyene ejo hahise, uyu musi n'ibihe vyose, murizera yuko Mariko16 ari Ukuri, aba bungere bari hano bipfuza kubatumira ngo muze hano kano kanyank'abagenzi babo mu Butumwa Bwiza. Nimwegereze hano maze muhagarare aha imberehamwe natwe mu gihe turiko turagira iyi mirongo y'amasengesho, ngo dusenge.HAno nyene, nimubadugane baciye ngaha. Abungere bose bari mur'iyi nyubakwa,idini woba urimwo ryose. Bambwiye mu kanya ko nobibasaba. Nimuze hano nimbamwipfuza kuza muri kano kanya, kugira hanyuma tugire uyu murongo w'amasengeshowo gusengerwa, dusengere abarwaye, turambike ibiganza ku barwaye.

53 Ni bangahe bari hano batagize…bakomeye, kano kanya,mudategerezwa gusengerwa, ariko mukaba muri abizera, nimukirize amaboko yanyu.Mbega mwonsezeranira yuko kandi amasengesho yanyu aza kuba ariko araduga hejuruhamwe natwe abungere mu gihe turiko turasengera aba bantu? Ute iyaba ari mama wawe ahagaze hariya? Guteiyaba yari umugore wawe? Gute iyaba yari mwenewanyu canke mushikawe? Nimwibuke,ni nyina w'umuntu kanaka, ni mwenewabo n'umuntu kanaka, ni mushiki w'umuntukanaka, ni umuhungu canke umukobwa w'umu mama kanaka, ni uw'umuntu kanaka.Kandi tuzokorera abandi ivyo natwe twokwipfuza yuko badukorera. Ubu rero,ngomba yuko mwese muba mu kwubaha no mu masengesho. Hanyuma mu gihe basa n'abamaze kugira imirongo kanokanya, aho bashobora kuzanana, nshaka yuko abakozi b'Imana rero baza hano mazebagire imirongo ibiri bazungurutse ku ruhande rwo ngaha imbere, aha hejuru nokumanuka gurtya, bagire imirongoibiri kugirango abantu bagende barengana. Iyi mikoro ndayishira inyuma, MweneData Borders aza kuba ahagaze hano arongora indirimbo. Ni vyiza, imirongo ibirikuduga no kumanuka uku, kugiraabantu…

54 Ubu rero, kur'umw'umwe wese muri mwebwe muhagaze mumurongo, ngo mwemeze incuro kabiri Satani, wa mushikirizamanza, yuko mwafasheingingo. Mwaciye urubanza, yuko mwizera ko Mariko 16 ari Ijambo ry'Imana, kandiko ari Ukuri, mukaba muje mur'uno murongo kugira ngo murambikweko ibiganza.Kandi uhereye ubu, ibikorwa vyanyu biraza kwerekana urubanza mwaciye urwo arirwo. Nimukirize amaboko yanyu, maze muvuge muti: "Ivyo ndabisezeraniye Imana."Abari mur'uwo murongo mwese.

55 Ubu rero reka dusenge. Data wo mw'Ijuru, a…aba bantu,kur'uno muhingamo, bafashwe nka sentare. Ndumva, Mwami, yuko Waciriwe u-urubanza rwiza. Pilato ntiyaguciriye urubereye. Yari afise ivyabonavy''binyoma. Ariko wewe Waratsinze ivyo vyabona vy'ibinyoma. I -Icabonac'Uwuregwa, Mpwemu Yera Yaje kwemeza Ijambo imbere y'abantu. Waciriwe urubanzarubereye. Kandi abantu bafashe ingingo, baciye urubanza rwabo, nk'uko babivuga,none bariko baraza begereza ngo bagaragarize isi yuko bizera ko Ijambo ryaWeari ukuri. Ryasobanuwe nabi. Bamwe muri bo bavuga bati: "Ngomba kukubona ukora ibi, ngomba kukubona ukora biriya." Ntibijanye n'Ijambo ryaWe.Ijambo ryavuze riti: "Bazokira." Kandi twazanye ivyabona hano imbere, kugirango tugaragaze ko ivyo ari vyo Wavuze. Ukora ibintu mu buryo bwaWe Bwite. Ubu rero, ndasavye, Data, yuko uha iyo mihezagiroabantu kur'uno muhingamo. Nk'umusavyi waWe, kandi hamwe n'aba bandi bakozi baWebose, amajana y'abo ari ngaha, turadugije isengesho ryacu kubwa bano bantu.Nusige amavuta bano bungere beza, Mwami. Hamwe gukekeranya yokwegera, cankekutizera, canke Mushingantahe Kutihangana, canke uwo ari we wese muri bamwebanegura, abatwenga babayeho mu bihe vyose, nibegera bano bantu, iyi sentarekur'uno muhingamo izoce iduza ijwi ryo kubiyamiriza, intahe yabo. Kuri Nowa,nk'uko vyari biri mu misi ya Nowa, nk'uko vyari biri mu misi ya Sodomu, vyompibibiri vyarahonejwe. Ese ukuntu babishinyagurije bakabihindura agatwengo! Arikontaco vyahinduye, abizeye bagumye bumiye kw'Ijambo. None natwe turiteguyekwumira kw'Ijambo, kur'uno muhingamo, Data. Ndifadikanije n'aba bandi bungerebaWe hano, kurambika ibiganza kuri bano bantu, reka ubushobozi bw'imanaMushobora vyose, Ubwo tuzi ko buri hano kano kanya bushingira intahe Ijambo,bukize umw'umwe wese muri bo. Mw'Izina rya Yesu Kristo Umwami wacu. Amen

56 Mwene Data Roy, sinzi ko woza hano imbere. Imitwe yoseyunamikwe kano kanya, umw'umwe wese asenge yongere aririmbe. Mutarikomurasenga, muririmbe Izere Gusa. Mugihe muriko muraca hano, mwizere gusa, hanyuma murengane. Ntaco bitwaye icomuvuga canke mukora, vyose bibavako. Nimba ushaka gukoma induru, koma induru.Kandi nimba mugomvye kugenda… Ntaco bitwaye ico ari co cose, nimwizere Imana gusa.Niwigire hanyuma uvuge uti: "Vyarangiye mu mutima wanje." Neza na neza

nk'ukomwoja ku kidengeri kugira ngo mubatizwe. Biba biheraheje ikibazo, iyomuvyizeye. Uri Umukristo igihe cose wizera. Mbega ukwo ni ukuri? Kandi urakiraigihe cose wizeye. Dusenge twese kano kanya. Neza, Mwene Data Borders [Mwene DataBranham ariko arasengera abarwaye. Agace katavuga kuri bande -Umw.]Izere gusa! Kugez'aho tuzobonana!

Kugez'aho tuzobonanira ku birenge vya Yesu;

Kugez'aho tuzobonana!

Imana ibe hamwe namwe kugez'aho tuzongera kubonana!

57 Ndabaha Ijambo ry'Imana. Mw'Izina rya Yesu Kristo,umw'umwe wese muri mwebwe yakire ico yasavye. “Nimwabwira uyu musozi muti,'shinguka,' ntimubikekeranye mu mutima wanyu, ariko mukizera yuko ivyo mwavuzebiba, muzoronka ico mwavuze.” Iyo musenga, mwizere yuko mwaronse ivyo mwasavye,kandi muzobihabwa. Nkora igikorwa mw'Izina rya Yesu Kristo. Ndizera yukourubanza rwacu rwaciwe rurahukanywa kandi ibikorwa vyacu birerekana ubu kotwizera, kandi turazi yuko Yakijije. Hamwe ntokwongera kubabona hano hakunoy'uruzi, nzohurira namwe hariya hakurya. Ni uko Mpwemu Yera Ahambaye YabayeUmushitsi wacu mur'iri yinga, hano kumwe natwe akanadusukurira, Azobashingiraintahe ico gihe yuko nababwiye Ukuri. Gushika ico gihe: Gushika aho tuzobonana!

Imana Ibe hamwe namwe gushika aho tuzongera kubonana!

Twunamike imitwe yacu aka kanya.Mu gacerere ntangere n'uburyohe. [Mwene DataBranham atanguye kuririmbira mu ntamatama Gushika Aho Tuzobonana -Umw.] Imipfunda y'urupfu ikurwe imbere yanyu. Imana yomw'Ijuru, iyo turi mu Nyonga zaYo, ibazigame neza gushika aho tuzobonanira.

Imana Iguhezagire, mwene Data. Ndagushima.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7